REPUBLIQUE DU BURUNDI
COMMISSION NATIONALE INDEPENDANTE DES DROITS DE L'HOMME
(CNIDH)

IJAMBO NTANGAMARARA MU KIGANIRO UMUKURU W'UMUGWI W'IGIHUGU WIGENGA UJEJWE AGATEKA KA ZINA MUNTU YAHAYE ABAMENYESHAMAKURU KU WA 03 MYANDAGARO 2015

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu wakiranye umubabaro nta ngere igandagurwa bunyamaswa ry'intwazangabo Lieutenant Général Adolphe Nshimirimana n'abari bamucungereye ubuzima ku musi wa Mungu igenekerezo rya 2 Myandagaro 2015, muri Komine Kamenge ;

Iryo gandagurwa biboneka ko ryateguwe rije ryiyongera ku bundi bwicanyi nk'ubwo bwahitanye abantu mu gisagara ca Bujumbura na cane cane mu ma komine ya Cibitoke, Kanyosha, Musaga, Ngagara, Nyakabiga, no mu ma komine ya Mukike na Mutambu yo mu ntara ya Bujumbura ;

Umurwi w'Igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urahojeje umuryango wa Lieutenant Général Adolphe Nshimirimana hamwe n'imiryango yose yabuze, inzego z'umutekano, Ibiro vy'Umukuru w'Igihugu, hamwe n'abarundi bose ;

Umurwi w'Igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urasubiye gutera ivyatsi wivuye inyuma ugukoresha igikenye ico bivako cose, na cane cane ugukuroresha inguvu n'ubwicanyi nkuko woba ari umuti wo gushika ku nyungu canke gutorera umuti amatati ayo ariyo yose na cane cane ayerekeye ivya politike ;

Umurwi w'Igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu uriyamirije kandi ikubagurwa n'itotezwa ry'umumenyeshamakuru Esdras Ndikumana, akorera iradiyo y'Abafaransa RFI, mu gihe yari ku kazi kiwe ariko arondera amakuru kuri iryo gandagurwa rya Lieutenant Général Adolphe Nshimirimana ;

Umurwi w'Igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urasubiye gusaba abaharanira inyungu za politike kwirinda gusotorana, gukoresha inguvu n'ukwihora, ahubwo bahimirize abanywanyi babo gukomeza umutima w'ukwihanganirana, kubana neza mu budasa bwabo no kwubaha no kwubahiriza ubuzima n'agateka ka kiremwa muntu ;

REPUBLIQUE DU BURUNDI
COMMISSION NATIONALE INDEPENDANTE DES DROITS DE L'HOMME
(CNIDH)

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu uhamagariye abarundi bose kuguma batekanye, kwihangana, kubumbatira ubumwe no gufatana mu nda muri ibi bihe vya politike bitoroshe ;

Uwo murwi usavye kandi abanyagihugu kwima amatwi uwo wese canke ico cose kiza gicanishamwo abarundi n'abarundikazi ;

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu uribukije ko ivyo vyose abantu baharanira muri politike bitegerezwa guca mu biganiro, abantu bakavugana ukuri hagukoresha ingimba ;

Umurwi w'Igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu usavye inzego zijejwe umutekano kumera magabo zigacungera umutekano kuri bose mu mande zose z'igihugu, kugira zikinge ihorihori ryoza rifatiye ku bihuha n'umwikeko ;

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu usavye inzego z'ubutungane kugira amatohoza abushitse kugira bamenye abakoze ubwo bwicanyi bongere babashengeze mu butungane ;

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu wiyemeje kubandanya ukurikiranira hafi mu nzego z'ubutungane ivyerekeye ubwo bwicanyi bwose bw'agahomerabunwa.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 3 Myandagaro 2015

Jean-Baptiste Baribonekeza

Umukuru w'Umurwi